Bibiliya y'Abana

Ishikirije

Isezerano Imana yahaye Aburahamu

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Byron Unger; Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: M. Maillot; Tammy S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2022 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

Kera cane inyuma
y'umwuzure,
abantu bari kw'isi
bagize iciyumviro.

“Twubake igisagara kinini gifise n’umunara uduga gushika kw’ijuru. Tuzoshobora kuba hamwe imyaka yose.” Bose bavuga ururimi rumwe.

Imana yashaka ko abantu baba ahantu hose kw'isi yari yaremye. Hanyuma ica ikora ikintu kidasanzwe. Bukwi na bukwi, imigwi y'abantu itangura kuvuga ibitandukanye. Imana yari ibahaye indimi zitandukanye.

Abavuga ururimi rumwe baca baja hamwe. Birashoboka ko bari bafise ubwoba bw'abantu batashobora gutahura ururimi rwabo. Muri ubwo buryo, Imana itegeka abantu kwuzura mubihugu vyose vyo kw'isi.

Ico gisagara bari bahagaritse kwubaka gica citwa Babeli, risigura ngo kuzazanirwa.

Inyuma y'imyaka itari mike, mukibanza citwa Uri i karudaya, Imana ibwira umuntu yitwa Aburamu. "Va mu gihugu cawe" Imana iramutegeka. "Ja mu gihugu nzokwereka."

Aburamu arumvira. Imana iramurongora gushika i kanani. Umukenyezi wiwe Sarayi n'umuhungwabo Loti bajana nawe.



I kanani, Aburamu na Loti bahahindukira abatunzi. Bari bafise imikuku myishi y'ibitungwa. Ntaburagiro buhagije bw'ibitungwa bari bafise.

Abungere ba Loti barashwana
n'abungere ba Aburamu.
"Ntidushwane", Aburamu aravuga:
"Dutegerezwa gutandukana. Loti,
hitamwo aho ushaka kuja."

Loti ahitamwo ikiyaya ciza
gitotahaye kirimwo ibisagara
n'imitumba. Ivyo vyasa neza.
Ariko ivyo bisagara vyarimwo
ibibi vyishi.

Inyuma yo kugenda kwa Loti, Imana isubira kubarira Aburamu. "Nzoguha igihugu c'i kanani ucegukire. Nzogiha kandi n'abana bawe." Aburamu na Sarayi nta mwana bari bafise.
Ni gute Imana yashobora kuzigama iri sezerano?

Abagabo batatu barungitswe
n'Imana bagiye kuramutsa Aburamu na
Sarayi. "Mugihe gito muzoba mufise umwana",
barababwira. Sarayi atangura gutwenga.

Ntiyizera ico Imana ivuze. Yari afise imyaka 90.
Imana ibwira Aburamu ko kuva ubu azokwitwa
Aburahamu kandi ko Sarayi azohinduka Sara.

Imana ibwira Aburahamu kandi ko azosambura ibisagara bikorerwamwo ivyaha vy'i sodomu n'i gomora.

Loti umuhungwabo wa Aburahamu yaba i sodomu hamwe n'umuryango wiwe. Loti yumvira imburi y'Imana, ariko abakwe biwe baranka kuva i sodomu. Mbega icago! Ntibumviye ijambo ry'Imana.

Loti n'abakobwa biwe babiri
nibo bonyene barokotse.
Umucanwa n'amazuku vyaguye
kuri ivyo bisagara birabiturira.

M'umubabaro mwishi, umugore wa Loti yanka kwumvira Imana hanyuma ahindukira kuraba inyuma. Ubwo nyene aca ahinduka inkingi y'umunyu.

Imana yarashikije isezerano yari yasezeraniye Aburahamu na Sara. Baravyaye umwana n'aho bari bashaje, nk'ukw'Imana yari yabibabwiye. Mbega umunezero bagize igihe isaka yari avutse!

Birashoboka
ko Aburahamu
yaciye yiyumvira no
kw'isezerano Imana
yari yamuhaye ko
izomuha be n'abana
biwe igihugu c'i
kanani. Imana
kandi
yarashikije
iri sezerano.
Imana yama ishitsa
amasezerano yayo.

Isezerano Imana yahaye Aburahamu

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Itanguriro 11-21

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

Iherezo

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16